**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°20 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 09 RUHESHI 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 09 Ruheshi 2021, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 28 Rusama 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko agenga intwazangabo mu Gipolisi c'Uburundi**
2. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko agenga ibisongerezi vy'intwazangabo mu Gipolisi c'Uburundi**
3. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko agenga abapolisi bato bato**

Izo nteguro uko ari zitatu zashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Igipolisi c'Uburundi kigengwa n'ibwirizwa n° 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'Igipolisi c'Uburundi, ingene gitunganijwe n'ingene gikora. Iryo bwirizwa riritegekanya amategeko arishira mu ngiro, nk'ayagenga abakozi bo mu Gipolisi c'Uburundi.
Ni muri iyo ntumbero izi nteguro zishikirijwe.

Muri iki gihe, amategeko agenga intwazangabo z'Igipolisi c'Uburundi, ibisongerezi n'abapolisi bato bato ashingwa n'amabwirizwa yo muri Kigarama 2010.

B.P. 2800; Téléphone: 212747; Télécopie: 213545; E-mail: segeta@yahoo.com

Izi nteguro z'amabwirizwa zije rero kwisunga ibwirizwa n° 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017, zikaba zishiramwo ibitari bike bishasha bituma umupolisi ashobora gukora yisunze ibihe tugezemwo, haba mu bijanye n'imibano n'ubutunzi, umutekano na politike.

Muri ivyo bishasha, harimwo gusigura neza ibijanye n'uko umuntu aba atarubaka urwiwe kugirango yemererwe kwinjira mu gipolisi.

Mu bijanye n'ivyo abapolisi bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe n'ibitabangikanywa n'amabanga yabo, harimwo bishasha nk'ivyerekeye uturusho dufatiye ku ngorane zijanye n'akazi kabo, uburambe mu kazi, ugufata mu mugongo umuryango w'umupolisi yitavye Imana akiri mu kazi, no gushigikira umupolisi akukurutse kugirango amenyere ubuzima bushasha yinjiyemwo.

Mu bijanye n'amapete, hariho ivyahinduwe ku mazina yayo kugirango ntihasubire kuba ukwitiranya ipete n'amabanga cane cane ku ntwazangabo, abenegihugu bayatomokerwe neza,  no gufatira ku mapete akoreshwa mu bindi bihugu.

Hari n'ibindi bishasha biri muri izi nteguro bifatiye ku dushirukabute n'uturusho tujanye n'ivy'akazi be n'ivy'imibano, mu ntumbero yo gutera intege abapolisi kubera akazi bajejwe katoroshe, n'impanuka bashobora kugira mu mirimo yabo.

Hari n'ibindi bishasha bijanye n'ingene akazi gatunganywa mu gipolisi, n'ivyerekeye inyifato mu kazi.

Twomenyesha ko inama nshikiranganji yari yarihweje izo nteguro muri Kigarama 2019, iranazemeza, ariko irashiraho umurwi uzozitosora neza.

Kubera haciye igihe kinini, vyari bikenewe ko Reta imenya ibiri muri izo nteguro, ikanasuzuma ko zahinyanyuwe nk'uko vyari vyasabwe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza izo nteguro zahinyanyuwe n'umugwi wari washizweho, yarazemeje, ica isaba umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba gutegura amabwirizwa agenga intwazangabo, ibisongerezi n'abasirikare bato bato afatiye ku biri muri izi nteguro, kugirango nazo zemezwe, gurtyo inama nshingamateka na nkenguzamateka zizozigire rimwe.

Ku bijanye n'amapete, inama nshikiranganji yasavye kuraba ko asa n'ayakoreshwa mu muryango w'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko.

Ku vyerekeye ikiringo co kuva kw'ipete umuntu aja ku rindi, inama nshikiranganji yasavye ko congana haba mu Gipolisi canke mu Gisirikare.

Ku vyerekeye gutanga ipete rya nyuma umuntu aherukirako, inama nshikiranganji yasavye ko hofatirwa ku gihe umuntu ashigaje kugirango akukuruke.

Ku kijanye n'umurwi w'ibisongerezi vy'intwazangabo mu Gipolisi, inama nshikiranganji yasavye ko boraba ko ijambo « Brigadiers » rikoreshwa mu gifaransa ritoba ryitiranya amabanga n'ipete, bishobotse rihindurwe.

4. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko agenga Abanyamahanga baza kuba mu Burundi n'Abarundi baja kuba mu mahanga, y**ashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Amategeko agenga uruja n'uruza ahari kuva hagiyeho itegeko-bwirizwa n°1/007 ryo ku wa 20 Ntwarante 1989 rishinga amategeko yerekeye ingene abanyamahanga bashika mu Burundi, ingene bahacumbika, ingene bahaba n'ingene bigizwa kure y'imbibe z'igihugu baje bavamwo.

Inyuma y'imyaka irenga mirongo itatu iryo tegeko-bwirizwa rigiyeho, hari vyinshi vyahindutse mu Burundi, aha twovuga nk'iyinjira ry'Uburundi mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko.

Ayo mategeko agenga uruja n'uruza yarasubiwemwo incuro zibiri ku bijanye n'impunzi, ubwa mbere n'ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 04 Ruhuhuma 2008 ryerekeye gutanga ubuhungiro n'ugukingira impunzi mu Burundi, ubugira kabiri rirasubirwamwo n'ibwirizwa n°1/32 ryo ku wa 13 Muyonyo 2008.

Iyi nteguro rero ije gushiraho ibwirizwa rimwe rudende ritunganya ivyo vyose bijanye n'abanyamahanga baza kuba mu Burundi, n'Abarundi baja kuba mu mahanga.

Iyi nteguro iratomora neza imirimo y'igipolisi kijejwe uruja n'uruza n'iy'Ikigo c'igihugu kijejwe gukingira impunzi n'abadafise ubwenegihugu « ONAPRA mu pfunyapfunyo y'ururimi rw'igifaransa», kuko ibwirizwa n°1/32 ryo ku wa 13 Muyonyo 2008 ryerekeye gutanga ubuhungiro n'ugukingira impunzi mu Burundi ryari ryahaye ico kigo imirimo y'Igipolisi kijejwe uruja n'uruza.

Iyi nteguro iratora inyishu ku bijanye n'ukuvuguruzanya kw'itegeko-bwirizwa n°1/007 ryo ku wa 20 Ntwarante 1989 rishinga amategeko yerekeye ingene

abanyamahanga bashika mu Buurndi, ingene bahacumbika, ingene bahaba n'ingene bigizwa kure y'imbibe z'igihugu baje bavamwo, n'ibwirizwa n°1/32 ryo ku wa 13 Muyonyo 2008 ryerekeye gutanga ubuhungiro n'ugukingira impunzi mu Burundi, kuvyerekeye ishingwa ry'umugwi mpanuzwajambo ujejwe gutunganiriza impunzi n'abanyamahanga.

Kubera ko ubuserukizi bw'Uburundi mu mahanga budafise abakozi b'abahinga mu kwiga amadosiye yerekeye abanyamahanga baza mu Burundi, iyi nteguro irategekanya ikibanza c'umuhinga mu bijanye n'uruja n'uruza azoba ajejwe kwiga amadosiye y'Abarundi bari aho mu mahanga bipfuza kuza mu Burundi, be n'abanyamahanga bashaka kuza mu Burundi.

Ikindi gishasha ni uko ata mategeko yari ahari atandukanya abakomoka mu bihugu bigize ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko n'abandi banyamahanga. Iyi nteguro iratanga inyishu kuri ico kibazo.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyi nteguro, yarayemeje, ariko ica isaba gusuzuma neza ko ibihano bitegekanijwe muri iyi nteguro bitanyuranye n'ibiri mu gitabo mpanavyaha.
Yasavye kandi ko umutwe w'iyi nteguro wohindurwa ukitwa « Integuro y'ibwirizwa rigenga uruja n'uruza ndengambibe mu Burundi ».

Kuvyerekeye ikibanza c'umuhinga mu bijanye n'uruja n'uruza mu buserukizi bw'Uburundi mu mahanga, ababijejwe bazoraba aho bizoba bikenewe, bafatiye ku gitigiri c'amadosiye yo kwigwa aba ari aho Uburundi buserukiwe.

5. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/181 ryo ku wa 11 Myandagaro 2014 rishinga imirimo rikongera rigasubiramwo itunganywa ry'Igisata kijejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka mu Burundi (ARCA mu mpfunyapfunyo y'ururimi rw'Igifaransa),** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Inyuma y'ishirwaho ry'igitabu c'amategeko n°1/06 ryo ku wa 17 Mukakaro 2020 agenga ugutegekaniriza impanuka mu Burundi, birakenewe ko itegeko rishinga imirimo rikongera rigasubiramwo itunganywa ry'Igisata kijejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka mu Burundi risubirwamwo, kugirango ryisunge ico gitabu c'amategeko gishasha.

Iruhande yo kwisunga ico gitabu c'amategeko gishasha, iyi nteguro irashiramwo n'ibindi bishasha, navyo bikaba ari nk'ibi bikurikira :

- Mu ntumbero yo kworohereza ibikorwa umugwi ujejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka, iyi ntenguro itegekanya ko ico gisata coserukirwa muri uwo mugwi n'umuntu umwe, nawe nyene ata nyungu zo gukingira afise muri ayo mashirahamwe kugirango ntahave arizo ashira imbere,
- Iyi nteguro irongera ikiringo c'abagize uwo mugwi ukagikura ku myaka itatu ukagishira ku myaka ine, kugirango hisungwe amategeko asanzwe ahari,
- Iyi nteguro iratomora ibituma abagize uwo mugwi babogozwa, canke bakarangiza amabanga yabo,
- Iyi nteguro irakomeza ububasha bw'ubunyamabanga bukuru bw'Igisata kijejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka mu Burundi,
- Imirimo y'igisata ARCA yaraguwe mugushobora gutohoza ku matati avuka hagati y'amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka n'abandi bafashanya ico gikorwa,
- Iyi nteguro iraha umunyamabanga mukuru w'Igisata kijejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka mu Burundi n'abakozi b'abahinga muri ico gisata ububasha bw'umupolisi ariko bugarukira muri ico gisata gusa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, muvyo yashikirije hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Kwerekana neza ingene Igisata kijejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka mu Burundi n'umugwi ujejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka bikorana,
- Ibijanye n'ingene umugwi ujejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka ukora vyokurwa muri iyi nteguro bikazoshirwa ahandi,
- Hotomorwa neza ko umugwi ujejwe gukurikirana no kugenzura amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka ukora nk'inama nshingwantwaro y'igisata ARCA,
- Intererano z'amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka mu Burundi mu gisata ARCA zoca mu Kigega ca Reta hanyuma nayo ikakironsa uburyo bukwiye bwo gukora,
- Igisata ARCA kirakwiye gufasha kugirango inshumbusho zinyaruke gutangwa iyo habaye isanganya kandi abantu ntibarenganywe,
- Igisata ARCA cofasha kugirango inyubakwa za Reta zononekara kubera amasanganya zisanurwe kandi ningoga.

Inama nshikiranganji yasavye kandi ko amashirahamwe ajejwe gutegekaniriza impanuka mu Burundi yoterera mu migambi y'iterambere nk'uko amabanki abikora.

6. **Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya umugwi w'igihugu ujejwe inyigisho z'ishule shingiro n'izikurikira ishule shingiro,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Iyi nteguro ije gushira mu ngiro itegeko n°100/090 ryo ku wa 28 Gitugutu 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'indero n'ubushakashatsi kuko ritegekanya umugwi w'igihugu ujejwe inyigisho z'ishule n'izikurikira ishule shingiro.
Igikorwa nyamukuru uwo murwi uhamagarirwa ni uguhangana n'ibibazo vyibonekeza mu mashule shingiro n'ayakurikira amashule shingiro.

Ikindi gishasha naco ni uko aho hakuriweho ubugenduzi bukuru bw'indero n'inyigisho z'imyuga, imirimo bwari bujejwe ica ihabwa uwo mugwi.
Iyi nteguro rero ije gutomora neza ico uwo mugwi ujejwe, abawugize n'ingene ukora.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, iranayunganira nko muri ibi bikurikira :

- Kwerekana ku mutwe w'iyi nteguro ko uwu murwi ushizweho, binagaragare no mu ngingo ya mbere y'iri tegeko,
- Gukuramwo ivyo vyose vyerekeye ivyo umuntu agenwa n'itegeko ry'umukuru w'igihugu yoba yujuje,
- Gushira muri uwo mugwi uwuserukira ubushikiranganji bw'abakozi ba Reta n'akazi,
- Kwerekana igisata uwurongoye uwo murwi atorwamwo,
- Gushira icicaro c'uwo mugwi i Gitega.

Kubera ko intumbero ya Reta ari ukwigisha abanyeshule bashobora kwirangurira imigambi barangije inyigisho mu gushira mu ngiro ivyo bize, Inama nshikiranganji yasavye ubushikiranganji bujejwe indero gutegura umugambi werekeye inyigisho z'imyuga buzoheze buwushikirize inama nshikiranganji.

7. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/06 ryo ku wa 12 Nzero 2015 rishinga rikongera rigatunganya Ishule risozera inyigisho zitangwa mu ma kaminuza mu Burundi (Ecole Doctorale)**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Ishirwa mu ngiro ry’itegeko n°100/06 ryo ku wa 12 Nzero 2015 rishinga rikongera rigatunganya Ishule risozera inyigisho zitangwa mu ma kaminuza mu Burundi rihura n’ibibazo vyinshi bituma iryo shule ridakora neza.

Muri ivyo bibazo, harimwo cane cane ikijanye n’umurwi ujejwe inyigisho n’ubuhinga udakora neza be rero no kutagira abakozi bafise ubumenyi bukwiye bafasha mw’itunganywa ry’iryo shule.

Itegeko rishiraho iryo shule rishinga ko uwo mugwi ujejwe inyigisho n’ubuhinga ugizwe n’abantu amajana abiri na cumi n’icenda (219). Ivyo bituma udashobora gukora neza imirimo washinzwe, kuko ntivyoroha ko abantu bangana gurtyo bakorana cane cane iyo bava mu bice bitandukanye.

Iyi nteguro rero itegekanya ko ico gitigiri kija ku bantu cumi n’umwe (11) boba baserukira abafise uruhara ruboneka mu bikorwa vy’ivyo shule.

Ku bijanye n’abakozi, itegeko rihari ritegekanya ikibanza c’umuyobozi w’iryo shule, ayo mabanga nayo akaba agoye ku muntu umwe aba ayafatanya no kwigisha, gukora ubushakashatsi, n’ibindi bikorwa vyerekeye iryo shule.
Iyi nteguro itegekanya ko hoba icegera canke ivyegera vy’umuyobozi w’iryo shule bimufasha kuritunganya .

Kubera ishule nk’iryo ryakira umunyeshule wese avyipfuza ariko akwije ibisabwa rikenera vyinshi, iyi nteguro itegekanya ko uwuje kuryigamwo hari amahera yoriha, yaba umurundi canke umunyahanga.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, ariko ica isaba ko izo nyigisho zoshira imbere ibisata igihugu gikeneye kuruta ibindi.
Inama nshikiranganji yasavye gutunganya neza ibizorangurwa muri ayo mashule, mu gushira imbere ivyihuta gusumba ibindi, kugirango Reta ize irafata mu mugongo iryo shule uko uburyo bubonetse.

8. **Urupapuro rw’inzira rwerekana ishirwa mu ngiro ry’umugambi wo gusanura no kwagura ishirahamwe ririma rikongera rigahingura isukari (SOSUMO),** rwashikirijwe n’umushikiranganji w’ibidukikije, uburimyi n’ubworozi.

Urwo rupapuro rw’inzira rwateguwe inyuma yaho inama nshikiranganji yemeje umugambi wo gusanura no kwagura ishirahamwe ririma rikongera rigahingura isukari (SOSUMO).
Rushimikira ku bizorangurwa be n’ikirangaminsi cavyo, kugirango Reta nayo biyorohere kurondera uburyo bukenewe mw’irangurwa ry’uwo mugambi.

Urwo rupapuro rw'inzira rufise ibice bibiri bizorangurwa mu kiringo c'imyaka itatu, navyo bikaba ari ibi bikurikira :

- Kuvomera no kugura amamashini n'ibindi bikoresho bikenerwa mu burumyi no mu masuzumiro muvy'uburimyi,
- Gusanura no kwagura ishirahamwe SOSUMO.

Uburyo bukenewe kuri iyo myaka itatu buzokoreshwa :

- Mu gutunganya ibijanye no kuvomera imirima,
- Mu kugura amamashini n'ibikoresho vyo mu burimyi,
- Mu kuronsa isuzumiro ibikoresho bigezweho,
- Mu kunagura ubushakashatsi mu burimyi.

Ivyo vyose bikeneye uburyo bungana n'amahera y'amarundi angana na miliyaridi ijana na zitanu, imiliyoni amajana icenda na mirongo icenda na zitatu, ibihumbi amajana icenda na mirongo icenda na bitanu n'amahera mirongo itanu n'umunani (105 993 995 058 Fbu).

Kugirango uwo mugambi urangurwe neza, urwo rupapuro rw'inzira rurekana igikorwa cose kizorangurwa, igihe kizorangurirwako, n'uburyo gisaba.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko rw'inzira, yarashimye aho uwo mugambi ugeze n'ingene ibikorwa bitegekanijwe. Yaciye isaba umushikiranganji ajejwe uburimyi n'uwujejwe ikigega ca Reta kuja hamwe n'Ibanki Nkuru y'Igihugu batandukanye ibikorwa bishobora kurangurwa hakoreshejwe amahera y'amarundi n'ivyo Ibanki nkuru y'igihugu yobona ko yoronkera amahera y'agaciro.

Mu ntumbero yo kugwiza umwimbu w'isukari, inama nshikiranganji yasavye gufasha abarimyi kwijukira kurima igikaju mu kubaronsa imbuto, hanyuma umwimbu bawushore muri SOSUMO.

Ku bijanye no kugura amamashini mashasha yo guhingura isukari, inama nshikiranganji yasavye ko SOSUMO yobanza kwerekana ko ifise umwimbu w'umurengera amamashini ahari ubu adashobora guhingura, kuko umwanya munini ayo mamashini aba yicaye.

Inama nshikiranganji yasavye kandi ko bokora ivyigwa bakaraba ingene abigenga bokwugururirwa bagashira umutahe muri SOSUMO kugirango ube munini.

Umushikiranganji ajejwe Ikigega ca Reta nawe yasabwe kubandanya avugana n'abasanzwe bafashanya n'Uburundi mu migambi nk'iyo, kugirango haboneke uburyo bwo kurangura uwo mugambi ku bijanye n'ibisaba amahera y'agaciro.

Urwandiko ruhinyanyuwe hafatiwe kuri ivyo vyashikirijwe ruzogarukanwa mu nama nshikiranganji.

## 9. Utuntu n'utundi

Nyenicubahiro Umukuru yasavye abashikiranganji kwishikira ku kibuga kenshi kugirango bakurikiranire hafi ibikorwa birangurwa n'ubushikiranganji bajejwe.

Yarongeye arabasaba kumenyekanisha amatungo yabo kuko ubu impapuro zo kwuzuza zarabonetse muri Sentare Ntahinyuzwa.

Mugusozera, Nyenicubahiro yaramenyesheje ko umwaka wa mbere ugire uhere Reta iriho ubu itanguye amabanga, uwo mwaka rero ukazosozerwa n'igisabisho c'iminsi itatu co gushimira Imana, kugirango uwo mwaka uhere neza, dutangure mushasha n'umurindi mushasha, dufise ihangiro ryo kugwiza umwimbu kugirango turwanye ubukene.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 10 Ruheshi 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE